
www.kidworship.kr

# Ingabo amajana atatu za Gidiyoni

- Old Testament II / 2nd story -


10Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abisirayeli bacumuye ku Mana hanyuma basenga ibigirwamana, Imana ica irabahana mu kubarekurirako abamediyani kugira ngo babone ko bacumuye bikebuke. Abamidiyani babacura bufuni na buhoro imyaka indwi yose. Igihe cose abisirayeli barimye bakeza, abamidiyani baca baza bakimbura iyo mirima yose. Barabanyaga kandi ibitungwa vyose n'imyagazi ntibasiga. |
| Umugore yamabaye umukari | (Afukamye arira) Oya! Reka ako kagazi! Ndabiginze ntimukantware nako! |
| Umugabo Afise inkota | (Umumidiyani) Uyu mwagazi ni uwacu! |
| Ikigabo kinini | We wa kana zana ico ufise mu minwe!!! |
| Abasezi bavukana | (Barira) ntitugira ico turya...Dutabare mudufashe!! |
| Uwuvuga | Abisirayeli batangura gutahura ko ivyago n'imibabaro barimwo ari inkurikizi z'ivyaha vyabo. Batangura gutakambira Uhoraho ngo abakize. |


11Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umusi umwe, Gidiyoni ariko akubitira ingano mu bwato munsi y'umweloni kugira ngo azihishe abamidiyani, umumarayika w'Imana aramubonekera. |
| Umumalayika | Ewe wa muhizi w'inkomezi, Uhoraho ari kumwe nawe. Genda urokore abisirayeli mu maboko y'abamidiyani! |
| Uwuvuga | Gidiyoni amutamariye, aramwishura. |
| Gidiyoni | Mbega noshobora gute gukiza abisirayeli? Umuryango wanje ni inkehwa mu bo kwa Manasi kandi ndi umuhererezi mu nzu kwa data. |
| Uwuvuga | Uhoraho yumvise amaborogo y'abisirayeli hanyuma atora Gidiyoni, ariko Gidiyoni yari umunyabwoba, ntiyizera bikwiye ijambo Uhoraho yamubwiye. |


12Page

| | |
|---|---|
| Gidiyoni | Ni watabara abisirayeli ukoresheje ukuboko kwanje, raba uwu musezero w' ubwoya bw' intama ushashe aha hasi ku muguruka. Ni haba hari urume ku muguruka gusa ahandi hasi hakaba humutse, niho nzomenya ko uzorokora ibisirayeli n'ikiganza canje. |
| Uwuvuga | Bukeye Gidiyoni avyutse yasanze wa musezero watoteshejwe n'urume ariko ahandi hasi hose hari humye. Ariko ico nticatuma Gidiyoni avyizera. Aca asubira kubaza Imana kandi. |

Gidiyoni: Mukiza ndagusavye ubu naho nze mbone umusezero wumye hasi naho hari urume.

Uwuvuga: Uhoraho abikora uko nyene muri iryo joro. Bukeye, Gidiyoni asanga wa musezero ukanye, ariko hasi naho hatoteshejwe n'urume. Gidiyoni atahura ko Uhoraho ari kumwe nawe aca atangura kumwizera bikwiye.

---


13Page

Uwuvuga: Uhoraho abarira Gidiyoni gutora ingabo ziza kurwanya abamidiyani . Gidiyoni abigenza uko, ahitamwo abagabo benshi b'abisirayeli baja gufatanya nawe kurwanya abamidiyani. Ariko Uhoraho aramubarira.

Uhoraho: Gidiyoni, izo ngabo zawe ni nyinshi cane. Niwaja kurwana urugamba ukarutsinda bahava birata ko batsinze kubera inkomezi z'ubwinshi atari kubw'inkomezi z'Uhoraho. Ku bw'ivyo rungika abanyabwoba imuhira kandi ugabanye igitigiri c'ingabo muri kumwe.

Uwuvuga: Gidiyoni amaze gushikiriza ivyo Uhoraho yamubwiye, ingabo ibihumbi bibiri zarasubiye inyuma asigarana ibihumbi cumi gusa.

---


14Page


Uhoraho: Ingabo ziracari nyinshi cane. Batware ku ruzi aho ngiye kubarobanurira.

Uwuvuga: Gidiyoni abajana ku mazi ababarira kuyanywako. Uhoraho amubwira kurobanura abaza kunyanywesha ibiganza kumunwa.

Uwuvuga: Uhoraho avugana na Gidiyoni iryo joro.

Uhoraho: Haguruka, manuka ku kirindiro c'abamidiyani.

---


15Page

Uwuvuga: Gidiyoni n'ingabo amajana atatu basugereza ikirindiro c'abamidiyani. Gidiyoni abarira ingabo ziwe gufata inzamba mu kuboko kumwe hanyuma ukundi
kugahegekera umubehe uhisha itara. Hashitse hagati mw'ijoro abamidiyani bahinduye abarinzi, Gidiyoni na za ngabo ziwe amajana atatu bavuza inzamba, bata hasi ya mibehe hanyuma bakoma akaruru bafise amatara mu miwe n'inzamba.

Ingabo: Inkota y'Uhoraho na Gidiyoni!!!

---


16Page

NAR: Ingabo z'abamidiyani ziratabaza n'ubwoba bwinshi hanyuma zirayanyaga, ziracumitana. Bafashijwe n'Uhoraho, Gidiyoni n'ingabo ziwe bashobora gutsinda isinzi ry' ingabo naboz'abamidiyani batarenga amajana atatu.

Ingabo: Hurray!Hurray!